# Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023

## Menya neza amajambo meza yo gukoresha aho kuvuga " Limited English Proficiency ( Ubumenyi bw'icongereza kidakwiye) "

Leta nkuru isobanura abadatahura neza icongereza nka « limited English Proficiency( Ubumenyi bw'icongereza kidakwiye)." "Limited English Proficiency" mumfunyafunyo ni LEP. Abaganiriye n'ikigo kijejwe uburinganire bw'amoko bavuze ko ari agasuzuguro kuvuga ko ari umuntu w'congereza kidakwiye. Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko bisaba ko hokoreshwa:

- " abantu bagikeneye gusigurirwa mururimi rwabo."
- "Abantu bagikeneye gufashwa mw'itumanaho."
- ''Abantu bakoresha urundi rurimi atari icongereza ''

Abakozi ba let aya State nibo bafise inshingano zo gutanga ubufasha muvyerekeranye n'indimi.

Ushobora gubona amajambo asonera abanda akoreshwa kubandi bafise ikibazo co kutumva neza kuri uru rubuga ngurukanabumenyi : https://dail.vermont.gov/sites/dail/files/documents/HearingTerminology.pdf Appendix B ya raporo yose ifise amakuru akwiye yerekeye abantu bafise ikibazo co kutumva neza.

## Intangamarara

Intumbero y'ibiro bijeje uburinganire bw'amoko ni uguhindura uburyo leta isanzwe ikoramwo birenganya abantu batari abazungu.Ukungene leta ikora birenganya abantu batari abazungu biba birenganya abantu bose. Iyi raporo ibarira leta uburyo ishobora kuteza imbere gusumba uko abantu basigurirwa mururimi batahura kubantu bakoresha izindi ndimi zitari icongereza.

Leta ya State itegerezwa gukurikiza amategeko ya leta nkuru yerekeye uko abantu basimurirwa mundimi bumva.Amategeko yo muri leta nkuru atuma buri muntu wese ashikirwa n'ubufasha( Services) leta itanga. Leta nkuru yaperereje mubice bibiri vya leta ya Vermont mumyaka 3 iheze. Leta nkuru yasanze amategeko yayo yo kusimurirwa mururimi abantu bumva atarakurikijwe. Iri perereza ryatwaye amahera menshi Leta. Gusigurirwa mururimi wumva ni ikintu nyamukuru co gukorera abaturanyi bakoresha izindi ndimi atari icongereza.

Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko vyakoresheje inama zibiri abagize kominote mu mwaka wa 2022. Abantu bo muri izo kominote bavuze kuvyo leta iriko irakora mukuronswa uburyo bwo gusigurirwa mundimi bumva. Abo bantu munama bavuze kandi kuvyokorwa gukira ugusigurirwa mundimi buvya bikorwe neza gusumba. Inama

**Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

yambere yabaye muri Ndamukiza 2022 muri Waterbury, VT no kurubuga ngurukanabumenyi rwa ZoomGov. Abantu munama ya mbere batanze ivyiyumviro vy'uko leta yokora kugira ugusigurirwa mururimi bumva vyisununure.Inyandiko y'inama ya mbere iri muri Appendix F ya raporo yose.

Inama igira kabiri yabaye muri Myandagaro 2022. Abantu munama ya kabiri baganiriye kurutonde ry'ibintu 26 vyokowa vyavuye munama yambere.Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko bwatanze ibibazo vy'ubushakashatsi ( Survey) inyuma ya buri nama. Abantu bashobora gukoresha ivyo bibazo vy'ubushakashatsi gushikiriza ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko ivyiyumviro vyabo vy'uko gusigurirwa mururimi bumva vyosununurwa.

Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko bakoze kandi ubushakashatsi kumahera angahe vyotwara guhindura inyandiko z'ingezi munyandiko zindi zitari icongereza. Izi nyandiko z'ingenzi zitwa " vital documents." Amategeko ya Leta nkuru avuga ko Leta ya state itegerezwa guhindura inyandiko z'ingenzi muzindi ndimi zitari icongereza. Leta ya State ntabwo irahindura inyandiko z'ingenzi muzindi ndimi. Appendix G ya rapport yose isobanura umushinga k'ubushakashatsi bw'inyandiko z'ingenzi.

.

## Ibice vy'ibanze vy'umugambi wo kuronka ubufasha mundimi

Umugambi wo gusigurirwa mundimi usobanura uko ibigo vya leta bizokora kugira abantu bavuga ururimi urwo arirwo rwose baronke ubufasha. Raporo yose ifise amakuru yerekeye amategeko ya leta nkuru wo gusimurirwa mundimi abantu bumva.

Ibigo vya leta ya state zitegerezwa gukora ibishoboka kuburyo umuntu akoresha ururimi urwo arirwo rwose aronke ubufasha/service nk'iz'abandi. Uburinganire mu kuronswa ubufasha mundimi zitandukanye ni igihe buri muntu wese afise ivyo akeneye vyose kugira aronke ubufasha/servise zo muri leta utarabiye kururimi akoresha.
Appendix B ya raporo yose ifise imbuga za interineti n'inyandiko zerekeye uburinganire mukuronswa ubufasha mundimi zitandukanye.

## Inyandiko z'ingenzi

"Inyandiko z'ingenzi" zirimwo amakuru y'ingenzi abantu bategerezwa kumenya kugira bashobore kuronka ubufasha/servisi muri leta. Inyandiko zonyene abantu bashobora kubona nizo zitwa inyandiko z'ingenzi. Uwuronka amahera muri Leta nkuru wese ategerezwa gukurikiza amategeko yo guhindura muzindi ndimi inyandiko z'ingenzi. Umuntu wese afise buri gihe uburenganzira bwo gusimuirirwa mururimi

yumva igihe cose abikeneye mubihe vyose. Raporo yose ifise amakuru arambuye kuvyerekeye amategeko yo gusigura inyandiko z'ibanze.

Inyandiko z'ibanze zanditse mururimi rworoheje bifasha abantu gutahura amakuru agoye. Incamake zanditse mururimi rworoheje rw'inyandiko z'ibanze zoba ngufi ugereranije n'inyandiko yambere.Inyandiko ngufi itwara uburyo buke kuyihindura murundi rurimi.Appendix B ya raporo yose ifise amakuru arambuye kuvyerekeye n'inyandiko ngufi

Ntabwo vyoroshe kumenya abantu bangahe bavuga indimi zitandukanye muri Vermont. Mubushakashatsi bw'amakominote ya Amerika yo muri 2021 avugako hari abantu bashika 7,705 bakenera ubufasha mundimi zitandukanye baba muri Vermont. Abantu 7,705 ni nka 1.3% y'abantu bose baba muri Vermont. Amakuru y'ubushakashatsi bwa kominote muri America ntabwo ariyo yonyene agomba kuba ifatiro y'ibigo vya Leta kugira bakore umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye.

Ubushakashatsi bwa kominote za Amerika ntabwo buharura buri muntu wese akeneye ubufasha mundimi zitandukanye. Birashoboka ko hari abantu hagati ya 1,000 na 1,200 muri Vermont bavuga igispanyoro ( Spanish) canke indimi z'abasangwabutaka bo muri America y'epfo. Leta ya Vermont yategerezwa kwandika inyandiko z'ibanze mururimi rw'igispanyoro ( Spanish).

Abantu benshi bafise ubumuga bwo kutomva muri Vermont bakoresha American Sign Language mu kuvugana no kuganira. Amategeko arengera abantu bagendana ubumuga ategeka gutanga ubufasha muvy'indimi kubantu bafise ubumuga bwo kutumva neza. Leta ya Vermont iterezwa gukurikiza ayo mategeko. Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko risaba ko ibigo vya leta bihindura inyandiko zose z'ibanze muri American Sign Language. Inyandiko ziri muri sign language bisigura gukora amavidewo y'abantu basigura izo nyandiko muri Sign Language.

Iyo bakora  umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye, ibigo vya leta ya State bitegerezwa kumenya ni abantu bangahe bakoresha iyo porogarama bakoresha izindi ndimi Atari icongereza.

## Kubarira abantu ubufasha/service z'indimi zihari kubwabo

Ikigo ca leta iyo ariyo yose kironka amahera ava muri leta nkuru gitegerezwa kubarira abantu ivyerekeye ubufasha mundimi zitandukanye igihe cose barungikiye ubutumwa umuntu ategerezwa kwishura. Kubwira abantu ubufasha bw'indimi vyitwa " Imenyeshwa ry'ubufasha muvy'indimi zitandukanye"

## Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023

Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko busaba ko ibigo vya leta ya Vermont birungika ubutumwa bw'ubufasha mundimi zitandukanye 14:

- Arabic
- Bosnian
- Burmese
- Dari
- French
- Kirundi
- Simplified Chinese characters used to write Mandarin Chinese
- Nepali
- Pashto
- Somali
- Spanish
- Swahili
- Ukrainian
- Vietnamese

Ibiro bijejwe uburinganire bisaba ko ubwo butumwa bw'ubufasha bw'indimi zitandukanye buba burimwo ibindi bintu bibiri:

- Ubutumwa bwose bwo munyandiko, bubwira abantu bakoresha ubuhinga bwa none mukubafasha kuvuga canke kuganira ko hari ibikoresho bashobora gukeresha batarishe.
- Gushira videwo ya American Sign Language ibarira abantu ivyerekeye ubufasha bwa gusa muvy'indimi ku mbuga ngurukanabumenyi za leta no kubutumwa bwose nka email burungikwa.

Urutonde rw'indimi ruva mu kigo ca Human Services Limited English Proficiency Committee no mu biro vya Racial Equity Community conversations. **Mbere yo gusimura inyandiko z'ibanze, buri kigo ca State gitegerezwa kumenya indimi abantu bakoresha serivise zabo bakoresha.**

Abantu bazosaba ubufasha muvy'indimi igihe ibigo vya Leta ya State bimenyesheje bikwiye abantu ko ubwo bufasha buhari kandi butarihishwa.

Raba Appendix C ya raporo yose kugira umenye bikwiye ivyerekeye ibigo vya Human Services Limited English Profeciency Committee. Appendix C ya raporo yose ivuga kandi ivyerekeye impunzi zatujwe muri Vermont hagati ya 2012-2022.

**Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

## Igitabo kirimwo ibikorwa vyerekeye ubufasha mundimi zitandukanye.

Igitabo kirimwo ibikorwa vyerekeye ubufasha mundimi zitandukanye kimenyesha abakozi ba leta amakuru bakeneye kuvyerekeye ubufasha mundimi zitandukanye z'abo bafasha. Appendix E ya raporo yose ifise urugero rw'igitabo kirimwo ibikorwa vyerekeye ubufasha mundimi zitandukanye cavuye mugisata kijejwe abakozi ca Vermont.

## Ivyashitsweko n'ivyokorwa

Vyinshi muvyokorwa vyashitswe bivuye mukiganiro na kominote cabaye muri Ndamukiza na Myandangaro 2022.Bimwe muvyashitsweko n'ivyokorwa vyavuye mubushakashatsi bw'ibiro bijejwe uburinganire kunyandiko z'ingenzi. Hari imice 6 y'ivyashitsweko n'ivyokorwa. Urutonde rwanditse muri iyo mice itandukanye. Urutonde ntabwo rukurikirana hakurikijwe igikuru.State na leta yo hasi bategerezwa gukurikiza ivyokorwa muburyo bwose bushoboka.

### 1. Indangagaciro, urwego, n'Umuco

Indangagaciro zacu zitwigisha uko duterezwa gufata abandi.

Ivyashitsweko :

- Leta ntabwo ifise indangagaciro zerekeye no gutanga ubufasha mundimi zitandukanye.
- Abantu bakora akazi ko gusigura indimi ntabwo bahembwa muburyo bushimishije kuburyo bukwitunga. Ibi ntivyumvikana kubera abasimuzi n'abahindura mundimi zitandukanye bafata ivyigwa vyinshi kugira akazi kabo bagakore neza.

Ivyokorwa :

- Kwandika indangagaciro zerekeye gutanga ubufasha mundimi zitandukanye.Iyo ndangagaciro yovuga ko leta yemeye gukora ibishoboka kugira umuntu wese avuga canke akoresha amasinye ( Sign language) atari icongereza muri Vermont ategerezwa kuronka ubufasha/ servise za leta ya State.Urugendo rw'inyandiko y'indangagaciro iri muri Appendix D y'incamake mururimi rworoheje hamwe na raporo yose.
- Igisata c'amategeko gitegerezwa gushiraho amategeko yerekeye gahunda yo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye.
- Abantu bamwe bavuze ko hokagomvye kuba ahantu hamwe muri leta ya State aho umuntu wese yifuza ubufasha muvyerekeye n'indimi yoronkera ubufasha.Abandi nabo bavuga ko kubiro bijejwe uburinganire bw'amoko ariho abantu bategerezwa kuronkera ubufasha muvyerekeranye n'indimi. Bamwe mubakozi ba Leta nabo bakavuga ko kukigo ca Human Services ariho abantu

boja kuronkera ubufasha muvyerekeranye n'indimi. Ibiganiro birakenewe kugira hafatwe umwanzuro.

- Leta ya State itegerezwa kongera amahera iriha ibigo biha akazi abasigura n'abahindura mundimi zitandukanye. Gutyo, ico kigo kigahemba abasimuzi n'abahindura mundimi umushahara wisumbuye.

## 2.Amakuru, Isuzuma, na Raporo

Amakuru aratumenyesha.Isuzuma ritumenyesha uko turiko turakora muguha abantu ubufasha mundimi zitandukanye

Ivyashitseko:

- Leta ya State ntabwo ifise amakuru akwiye y'amahera yose ubufasha mundimi zitandukanye butwara.Abakozi bo muri State ntabwo bakurikirana indimi abantu bakoresha iyo batse ubufasha muvy'indimi.
- Leta ya State ntabwo ifise amakuru akwiye y'abantu banganiki bakoresha izindi ndimi atari icongereza muri Vermont.

Ivyokorwa:

- Abakozi ba State bakeneye inyigisho zo kugira baronke amakuru y'indimi abantu bakoresha.
- Progaramu yose ya Leta yategerezwa kumenya amahera bitwara guhindura mundimi zitandukanye inyandiko z'ibanze.
- Igisata c'amategeko gitegerezwa gushiraho amategeko ategeka ibigo vyose vya State gukurikirana uburyo bwose bakoresha mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye.
- Abakozi ba State bategerezwa kutabika amakuru bwite y'abantu ahantu hamwe n'aho babika amakuru ya servisi z'indimi. Amakuru bwite ni nk'amazina y'abantu n'igihe bavukiye. Ibi ni ukugira bakingire ubuzima bwite bw'abantu.

## 3.Ibikorwa n'ivy'abakozi bakurikiza

Ibi vyokorwa vyerekeranye n'uko abakozi ba State batanga ubufasha mundimi zitandukanye.

Ivyashitseko:

- Bimwe mubigo vya State ntibifise uburyo bukwiye kugira bikurikize amategeko ya Leta nkuru kuvyerekeye no gutanga ubufasha muvyerekeye indimi. Uburyo ni ukuvuga abakozi hamwe n'amahera.
- Ibigo vyinshi vya State ntabwo bikurikiza amategeko ya Leta nkuru yo kubarira abantu ivyerekeye ubufasha muvy'indimi utariha.

## Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023

- Ibigo vyinshi vya State ntabwo bikurikiza amategeko ya Leta nkuru yo kwandika muzindi ndimi inyandiko z'ingenzi.
- Zimwe munyandiko z'ingenzi zikeneye kwandikwa muncamake mururimi rworoheje mbere y'uko zihindurwa muzindi ndimi.
- Abakozi ba State bonyarutsa gutanga ubufasha mundimi bakoresheje progaramu zo muri mudasobwa ( Computer) zibabwira ryari umuntu akeneye ubufasha mundimi.
- Abakozi benshi ba State bavuga icongereza gusa.
- Abakozi ba State bashobora gukoresha izindi ndimi ntibagomba gusimura canke guhindura murundi rurimi nimba bataronkejwe inyigisho.
- Abakozi benshi ba State ntabwo baronka uburyo bwo kwimenyereza batanga ubufasha mundimi zitandukanye.

Ivyokorwa:

- Ibiro vya leta n'abajejwe amategeko muri State bategerezwa guha ibigo vya State uburyo bwinshi kugira bashobore gukurikiza amategeko yo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye.
- Ibigo vya Leta mu butumwa barungikira abantu bategerezwa kwishura bitegerezwa kuburungikana n'ubundi butumwa buvuga ko hatangwa ubufasha butarihwa mundimi zitandukanye.
- Ibigo vya State bitegerezwa guhindura muzindi ndimi zitari icongereza inyandiko z'ingenzi.Bitegerezwa kandi kwandika muzindi ndimi izo nyandiko z'ingenzi igihe cose hari ibihinduwemwo.
- Ibigo vya State bikwiye kuba bifise vyibuze umukozi umwe ajejwe ko izo nyandiko z'ibanze zama yihuje n'ibihe.
- Abakozi ba State bakwiye kwandika incamake mururimi rworoheje y'inyandiko z'ingenzi ndende.
- Abakozi ba State bakwiye gukoresha progaramu za mudasobwa ( Computer) kugira bamenye ni ryari bategerezwa gutanga ubufasha mundimi.
- Abakozi ba State bakwiye gukoresha udukarata turiko urutonde rw'ibibazo rwanditse mundimi zitandukanye kugira bifashe abantu kubwira abakozi indimi bavuga.Izi karata zitwa " I speak". Appendix B ya raporo yose ifise ingero z'ikarata za " I speak"
- Abakozi ba State bakwiye gukoresha igikoresho gifise videwo y'umuntu akora amasinye y'ibiragi kugira bifashe abantu bakoresha American Sign Language
- Igisata ca Human Resources gikwiye kugerageza ubushobozi bw'umukozi mundimi mbere y'uko bamukoresha mugusigura canke guhindura muzindi ndimi. Ubu, igisata ca Human Services ntigifise amategeko yerekeye uko abakozi ba State basigurira canke bahindurira abo bafasha muzindi ndimi.
- Abakozi ba State bakwiye gukoresha abasigura n'abahindura inyandiko b'abanyamwuga gushika igisata ca Human Services gishizeho amategeko

y'ukungene abakozi ba State bashobora gusigurira no guhindurira munyandiko abo bafasha.

- Igisata ca human Services gikwiye kumenya neza niba abakozi ba State basigura canke bagahindura muzindi ndimi bahembwa bikwiye kubw'ako kazi.
- Ibigo vya State bikwiye kuriha abantu bavuga indimi nyinshi gufasha abakozi ba State kwimenyereza uko batanga ubufasha mundimi.Ibigo vya Leta bikwiye kumenya neza niba abakozi ba State bavyimenyereza bihoraho. Ibigo vya State bikwiye gufasha abakozi ba State kwiga uko batanga ubufasha mundimi nimba batariko barabikora neza.

## 4.Ikoranabuhanga n'uburyo bwo gukora ikintu.

Ibi vyokorwa vyerekeranye n'imbuga ngurukanabumenyi za leta ya State na program z'inama hakoreshejwe Videwo.

Ivyashitsweko:

- Imbuga ngurukanabumenyi nyinshi za Leta ya State ntabwo zifise inyandiko canke amatangazo k'ubufasha bw'indimi muburyo bworoshe gusoma.
- Imbuga ngurukanabumenyi nyinshi za Leta ya State ziri mucongereza gusa.Zimwe mumbuga ngurukanabumenyi za State zikoresha google muguhindura muzindi ndimi. Gukoresha google kenshi bikoresha amakosa akomeye cane.
- Imbuga ngurukanabumenyi za Leta ya State aho abantu bashobora gushikiriza akababakiye kubufasha/Service leta itanga zose ziri mucongereza.
- Rimwe na rimwe imbuga nkurukanabumenyi za leta ya State ntizikora iyo uzuguruye ukoresheje iterefone canke tablette.Abantu b'abirabure n'abantu bo muri Hispaniya kenshi bakoresha amaterefone na tablette ugereranije n'abazungu n'abatari aba Hispaniya muri Amerika.
- Amakuru yerekeranye ukwikingira muri Leta ya State ari mu congereza.Amakuru menshi y'ukwikingira ntabwo asiguye muzindi ndimi.
- Mubice bitandukanye vya Leta ya State bikoresha program za mudasobwa ( computer) mugukora amanama bakoresheje videwo. Gukoresha program zitandukanye bitera urujijo kubantu bahura n'abakozi ba State. Zoom/ZoomGov ifise ikimazi cane gukorana n'abasigura izindi ndimi.

Ivyokorwa:

Buri rubuga ngurukanabumenyi rwa Leta ya State ya Vermont rutegerezwa kuba rufise ibi bikurikira:

# Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023

    - Urupapuro rubwira abantu uko baronka ubufasha mundimi batarishe.
    - Kumenyesha ingaruka mbi zo gusigura ukoresheje Google, bategerezwa kumenyesha abantu uko boronka ubufasha mundimi
    - Imbuga ngurukanabumenyi aho abantu bavuga akabarakiye kumikorere ya leta zigashirwa mundimi zitandukanye. Urwo rubuga rugomba no kuba rusigurira abantu uko bashikiriza ibitabanezera mumikorere ya Leta.
- Abantu batavuga icongereza ntibashobora gusobanukirwa ahantu ho gufyonda kurubuga aho hantu handitse mucongereza. Imbuga ngurukanabumenyi za State zigomba burigihe kwerekana uwomurongo wo gupfondako ugutwara kunyandiko isiguye mururimi iyo nyandiko nyene yanditsemwo.
- Abakozi ba State bakwiye kumenya neza niba imbuga ngurukanabumenyi za State zikora neza uzuguruye kuri terefone canke tablette.Bakwiye kuraba niba imbuga za state zikora neza igihe cose bongeyeko amakuru mashasha kurubuga.
- Ibigo vya Leta bigomba gusigura muzindi ndimi ubutumwa bwerekeranye no kwirinda mundimi zindi zitari icongereza.Ibigo vya Leta bigomba gushira n'ubwo mubutumwa kuma videwo kubw'abantu badashora gusoma.Izo video zo kwirinda zigomba kuba zifise inyandiko mucongereza no mururimi rw'iyo videwo.Inyandiko mucongereza zigomba kuba zihoraho hanyuma inyandiko mururimi rw'iyo videwo ukaba ushobora kuzugurura canke kuzugara.
- Leta ya State ikwiye gucagura program imwe yo gukoresha mumanama yose bakoresha videwo. Leta ya State idacaguye programu imwe, igomba gutangaza amabwiriza y'uko buri programu ikoreshwa. Leta ya State igomba kuhindura amabwiriza ya videwo y'inama mundimi 14 hamwe no muri videwo ya American Sign Language .
- Abakozi ba State bakwiye kurungika amabwiriza ya video y'inama n'ubutumire bwose munama bakora kuri video.
- Appendix B ya raporo yose ifise amakuru arambuye yerekeye uburyo bwiza bwo gikoresha Zoom n'abagura muzindi ndimi.

## 5.Iterambere ry'umwuga n'ubushobozi.

Umusiguzi canke uwuhindura murundi rurimi ni uwutanga servise z'ururimi. Ivyashitsweko n'ivyokorwa vyerekeye kumenya neza ko abo batanga izo servise bazitanga neza.

Ivyashitsweko :

## Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023

- Abatanga servise z'indimi bataba muri Vermont bashobora kuba atamakuru yerekeye Vermont bafise.Amakuru yerekeye Vermont harimwo n'amazina y'ahantu.
- Abatanga servise z'indimi abakozi ba State basaba ubufasha ntabwo bakora akazi kabo neza burigihe. Mubisanzwe bakora akazi kabo neza. Abafise izo servise z'indimi bakorana na Leta ya State bafise program y'inyigisho z'abakozi babo.
- Ni ingirakamaro cane kubatanga servise z'indimi kugira inyigisho zihariye iyo bakora mubisata vy'ubuvuzi canke vy'amategeko.Ibitaro ni urugero rwo mubuvuzi. Ubucamanza ni urugero rwo muvy'amategeko. Amakosa muri servise y'indimi mubuvuzi canke mumategeko bishobora kugira ingaruka zikomeye.
- Gusaba abantu kugira uburenganzira canke impapuro z'umutsindo bishobora kugora abantu batanga servise z'indimi.Ibi ni ukubera kubironka bitwara amahera.
- Abakozi mw'ishami ry'ubucamanza bwa leta ya State bakora ibishoboka kugira abatanga servise z'indimi babe bafise ubumenyi bwemewe n'amategeko.
- Amategeko ya Leta nkuru kuvyerekeye gusigurirwa mundimi zitandukanye avuga ko ibigo vya State bitegerezwa guhindura muzindi ndimi amakuru y' ibibazo n'inyigisho kubuzi aho abantu badakeneye kumenya icongereza kubukora.

Ivyokorwa:

- Abashiraho amategeko ba State bakwiye gushishikariza muguha akazi abantu bagomba kuba no gukora muri Vermont nk'abatanga servise z'indimi.Programu z'inyigisho z'abatanga service mundimi zizoha akazi abantu bava mumico itandukanye bitume baza kuba muri Vermont.Umushahara mwiza kubatanga servise z'indimi uzokwega abantu benshi gukora muri Vermont.
- Abashiraho amategeko ba State bakwiye kubaza abantu bazi ivyerekeye servise z'indimi gukorana kugira bashireho amategeko yo gutanga uburenganzira kubabikora muri Vermont.Ayo mategeko azotuma abakora ako kazi ko gutanga servise z'indimi bakora akazi kabo neza.Imigwi yofasha kwandika ayo mategeko yoba ari:
    - Bene( Business) gutanga serivise z'indimi mu bigo vya State
    - Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko
    - Ibiro bijejwe kubahiriza ubunyamwuga
    - Abantu bakeneye ubufasha mundimi zitandukanye

- Leta ya State ikwiye gurihira abatanga servise z'indimi kuronka impapuro zo gukora.Ibi bizotuma abantu babandanya bakora nk'abatanga servise z'indimi.
- Leta ya State ikwiye gushiraho uburyo abantu bomenyesha ko batishimiye service y'indimi bahawe.

**Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

- Ibigo vya Leta ya State bakwiye gushira muzindi ndimi amakuru y'inyigisho n'ibibazo kubuzi budakeneye kuma uzi icongereza kubukora.Urashobora gusoma aha amakuru y'abantu bashoboye kuba abashoferi b'amabusi y'abanyeshure nyuma yo guhabwa amakuru mundimi zabo. "With bus Drivers in short supply, Winooski's immigrant parents take the wheel," canditse 29 Kigarama 2022, na Auditi Guha kuri https://vtdigger.org/2022/12/29/with-bus-drivers-in-short-supply-winooskis-immigrant-parents-take-the-wheel/.

## 6.Ivyokorwa mugukurikiza amategeko yo gufasha mundimi ya American with Disability Act

Ibi ni ibisabwa vyerekeye kugenzura ko reta ya state ikurikiza amategeko ya American with Disability Act. Ibiro vy'uburinganire bw'amoko bishimira igisata c'abagendana ubumuga, abatama/abatamakazi, n'ababaho mumwidegemvyo kubufasha bwabo muri kino gice.

Hagati y'abantu 62,000 na 125,000 muri vermont bafise ikibazo co kutumva neza.33%-50% y'abantu bari hejuru y'imyaka 65 bafise ikibazo co kutumva neza. Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko bushigikira abantu bo mubwoko bwose babana n'ubumuga.

Abakozi ba Leta ya State bategerezwa kureka abantu bagendana ubumuga bakifatira icemezo c'uko bagomba gukora itumanaho.Uru rubuga ngurukanabumenyi rufise amakuru yisumbuye y'uko abantu bagendana ubumuga baronka ubufasha mw'itumatumanako: https://www.ada.gov/resources/effective-communication/.

Ivyashitsweko:

- "Kwitwararika abafise ubumuga" nivyo abakozi ba State bakora kugira bafashe abantu bagendana ubumuga baronke ubufasha muri servise za Leta.Ni imbuga ngurukanabumenyi nkeya zifise aho ushobora gusaba kwitwararikwa ufise ubumuga.
- Imbuga ngurukanabumenyi za State zikozwe n'inyandikarugero ikoreshwa n'abantu bafashwa n'ikoranabuhanga.Zimwe mumbuga ngurukanabumenyi ntizuguruka iyo abakozi bongeyeko ayandi makuru nk' amajambo, amafoto canke videwo.
- Leta ya State ntabwo ihindura amakuru yihutirwa muri American Sign Language.
- Kwishingikiriza programu za mudasobwa ( Computer) kugira ukore inyandiko z'amavidewo biganisha mugukora amakosa.

- uburyo bwo kumva ni ingirakamaro kubantu bakoresha ibibafasha kumva neza. Ntaburyo bwo kumva nabumwe buba mumazu ya leta ya Vermont.

Ivyokorwa:

- Urubuga ngurukanabumenyi rwose rwa State rukwiye kugira urupapuro rwo gusaba ukwitwararikwa kubantu bagendana ubumuga.Leta ya State ikwiye guhindura muzindi ndimi urupapuro rwo gusabirako ukwitwararikwa.Ibi bizofasha abantu bagendana ubumuga bakoresha izindi ndimi atari icongereza.
- Abakozi ba State bagomba kumenya neza nimba imbuga ngurukanabumenyi za State zishobora gukoreshwa n"abantu bagendana ubumuga igihe cose hari impinduka bazikozeko. Appendix B ya raporo yose ifise amakuru arambuye kuvyo gukoresha izo mbuga.
- Leta ya State igomba guhindura amakuru yihutirwa muri American Sign Language.
- Ibigo vya Leta bigomba kugira abantu bandika amajambo kumakuru yose y'ingirakamaro kandi yihutirwa. Kugira umuntu ayandika bituma hataba amakosa akomeye.
- Umuntu agomba gusubiramwo ivyandiko biba kumavidewo niba ibigo vyareta bibandanije gukoresha ivyandiko bizirako( automatic caption).
- Ubutumwa bwa Videwo bugomba kugira ivyandiko biguma biboneka mururimi rw'icongereza. Ivyo vyandiko ziguma ziboneka zifasha abantu batumva neza batazi uko bokwironderera ivyandiko vyihishije.
- Videwo zitegerezwa kuba zifise ivyandiko vyugaye ( Closed).Ivyandiko vyugaye bifasha abantu bakoresha Braille gusoma ubutumwa.
- Leta ya State igomba kushira ibikoresho vyo kumva vyibura mucumba kimwe mumazu ya leta ya State.Leta ya State igomba gukora ibishoboka amazu yose ya Leta agakurikiza amategeko ya Americans with Disabilities Act.Ibi ni ingirakamaro kugira abantu bagendana ubumuga bashobora gusohoka mumazu ya leta biboroheye.

## Politiki y'inyongera y'ivyokorwa: Isuzuma ry'ibikenewe mw'ihuzwa ry'indimi zitandukanye

Abantu biga ururimi rw'icongereza ni abanyeshure bakoresha ururimi atari icongereza.Leta nkuru ifise amategeko yerekeye kwigisha ururimi rw'icongereza kubaciga.Abigishwa icongereza bagomba kwiga kw'ishure rimwe n'abandi banyeshure bavuga icongereza neza.Abiga icongereza bategerezwa kwiga ibintu bimwe n'abanyeshure bavuga icongereza.

Abahuza indimi zitandukanye bavuga icongereza n'izindi ndimi. Bakora mumashure kugira bafashe abanyeshure biga icongereza.Abahuza indimi bafasha abavyeyi b'abana biga icongereza kumenya uko amashure atunganijwe.Ntituzi abahuza

**Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

indimi Vermont ikeneye kugira bafashe abantu bose biga icongereza.Ibigo vy'indero bikwiye kwiga bikamenya abahuza indimi Vermont ikeneye.Abatora amategeko ba State bakwiye guha amahera ibigo vy'indero kubw'ico gikorwa.Raporo yambere ya Racial Equity task force ibivugako kurupapuro rwa 11 gushika kurwa 12.Mushobora gusoma iyo raporo yose kuri:

https://racialequity.vermont.gov/sites/reap/files/doc_library/RETF%20Report%201%20FINAL.pdf.

## Incamake y'imvuga yoroheje y'imigereka (appendices)

### Appendix A: Inkoranyamajambo

Inkoranyamajambo irimwo insiguro y'amajambo yakoreshejwe muri raporo.Hari incamake mumajambo yoroheje y'inkoranyamajambo nyuma y'iki gice.

## Appendix B: Ibikoresho vy'inyongera

Appendix B ya raporo yose ifise aho upfonda ( link) ukaronka ayandi makuru.Appendix B igizwe n'ibi bikurikira:

- Ibikoresho mugutegura program yo kuronka ubufasha mundimi zitandukanye
- Ibikoresho kugira abantu batumva neza bashobore gufashwa mukumva no kuvuga
- Ibikoresho mugukurikiza amategeko ya American with Disabilities Act.
- Ibikoresho mukugerageza imbuga ngurukanabumenyi kugira barabe ko abantu bagendana ubumuga bozikoresha.
- Ibikoresho kugira abantu babazwe gutanga ivyiyumviro vyabo k'umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye.
- Uburo bwiza bwo gukoresha Zoom/ZoomGov ukorana n'abasimura sign language.

## Appendix C: ikigereranyo c'abantu baba muri Vermont boba bakoresha indimi zitari icongereza

Appendix C ya raporo yose itanga urutonde rw'impunzi zatujwe muri Vermont hagati ya 2012-2022. Appendix C ivuga ivyerekeye ikigo ca Human Services Limited English Proficiency Committee.Ikigo ca Human Services Limited English Proficiency Committee igizwe n' umugwi w'abakozi ba leta batanga amakuru yerekeye service y'ubufasha mundimi.Ikigo ca Human Services Limited English Proficiency Committee kiriko kiriyumvira guhindura izina ryaco.Bagomba kurihindura aho gukoresha " Ubumenyi bw'icongereza kidakwiye" bakoreshe izina ryubahiriza abantu bakoresha indimi zitari icongereza.

**Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

## Appendix D:umugambi w'ivyakorwa nibura mugufashwa mundimi zitandukanye

Incamake y'imvugo yoroheje ya Appendix D ni nyuma y'incamake y'imvugo yoroheje ya Appendix A. Appendix D ifise urugero rw'umugambi wo kuronswa ubufasha mundimi zitandukanye ibigo vya leta bishobora gukoresha.urugero rw'umugambi wo kuronswa ubufasha mundimi zitandukanye ukoresha ivyokorwa vyavuye muri raporo yo kuronswa ubufasha mundimi.

## Igitabo c'igisata kijejwe abakozi kimenyesha ibikorwa vyo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye.

Appendix E ya raporo yose ifise urugero y'igitabo c'ibikorwa vyo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye cavuye mugisata c'abakozi muri Vermont. Appendix E ya raporo yose ifise amakuru yandi yerekeye gukorana n'abasimura.

## Appendix F: Incamake y'inyandiko y'ibiganiro kukuronswa ubufasha mundimi yo muri Ndamukiza 2022.

Appendix F ya raporo ifise inyandiko y'inama kubijanye no gutanga ubufasha mundimi kuva muri Ntwarante 2022. Izo nyandiko zirimwo ibi bikurikira:

- Ingingo nkuru zaganiriweko munama.
- Abitabiriye inama
- Uko inama yari iteguwe.

## Appendix G: Incamake y'ishami ry'ikigo gikuru y'amahera vyotwara guhindura muzindi ndimi inyandiko z'ingenzi.

Appendix G ya raporo yose isigura umugambi w'ubushakashatsi w'inyandiko z'ingenzi z'ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko.Ibiro bijejwe uburinganire bw'amoko bwaravye gusa inyandiko z'ingenzi zo mw'ishami rikuru. Appendix G isigura umubare w'amahera yakoreshejwe na leta ya State mubikorwa vyo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye muri kahise.

## Appendix A: Inkoranyamajambo ( Insiguro y'amajambo y'ingenzi)

**American with Disability Act-** Itegeko rya leta nkuru risigura uko leta, ibigo vy'ubucuruzi. n'abandi bategerezwa gufata abantu bagendana ubumuga.Raba uru rubuga ngurukanabumenyi rw'ayo mategeko:

https://www.ada.gov/resources/effective-communication/.

## Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023

**Communicative Autonomy**- Ubushobozi bw'umuntu bwo kwitwararika insiguro z'uko yiyumva mumajambo canke mubimenyetso.Umuntu afise ubwigenge bw'ikiyago iyo ariko arakorana n'uwumusugurira mururimi gwiwe.

**Interpreter ( umusiguzi):** Umuntu asigura murundi rurimi yigishijwe kuvuga insiguro no kwiyumva k'umuntu avuga ururimi rumwe k'uwundi akoresha urundi rurimi.. "ubusiguzi" nivyo umusiguzi akora.Amakuru yandi yerekeye uburyo butandukanye bw'ubusiguzi ubusanga:

https://www.ncihc.org/assets/documents/NCIHC%20Terms%20Final080408.pdf.

**Limited English Proficiency ( LEP)-** isigura abantu badatahura canke bavuge icongereza neza nk'umuntu avuga icongereza yarakivukiyemwo.

**Language Access Services/ Language Assistance Services-** ibikoresho bifasha umuntu atavuga icongereza gutahura amakuru.Ingero zavyo ni :

- Kubarira abantu ko leta ishobora kuriha umusiguzi kugira bashobore guhanahana amakuru
- Gusaba umusiguzi kugira afashe umukozi wa leta agomba kuganira n'umuntu avuga urundi rurimi.
- Kwandika canke ibimenyetso vy'inyandiko mundimi buri muntu wese atahura.
- Gukoresha ikoranabuhanga nk'uburyo bwa hearing loop kugira bufashe abantu bafise ingorane zo kutumva neza bashobore kumva neza gusumbiriza.
- Gukoresha agakarata ka " I speak" kugira bifashe mukumenya ururimi umuntu avuga, kugira bamuhamagarira uwumusigurira.

**Meaningful Access-** Iyo umuntu atavuga ururimi ruvugwa cane akaronka servise za leta nk'uz'uwuvuga urwo rurimi.Umuntu aronka ubufasha bw'ingirakamaro iyo afise ubwigenge mukiyago ciwe.

**Plain Language**- Uburyo bwo kwandika icongereza vyoroshe kugisoma no kugisobanukirwa.Amakuru arambuye kuri : https://www.plainlanguage.gov/resources/checklists/checklist/.

**Translation:** Guhindura inyandiko yanditse, mumvugo canke muri videwo kuva mururimi rumwe ushira murundi.Ukeneye Video ikoreshejwe ibimenyetso gusigura inyandiko kubantu batavuga.

**Video Remote Interpretation-** Iyo umusimuzi akorera mukibanza gitandukanye n'abantu ariko arafasha kumvikana mururimi.Abasimura kuri video bakoresha iterefone zigezweho canke agakamera bita Webcam kakarungika amashusho yuwo asigura. Ukenera interineti inyaruka kandi ikora neza kugira ukore ako kazi. Buri muntu wese

ategerezwa kubona ukuboko k'uwuriko arasigurisha ibimenyetso.Abantu bashobora no gusigura na video kumajambo asanzwe.

**Vital Documents –** Amakuru yanditse afasha gutahura ubufasha/servise za leta. Raba " Vital Documents" kugira umenye vyinshi

## Appendix D: umugambi w'ivyakorwa nibura mugufashwa mundimi zitandukanye

Ibiro vy'uburinganire bw'amoko ni kimwe mubigo vy'imiyoborere.Urugero rw'umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye rukurikiza ibisabwa vyatanzwe muri raporo y'ibiro vya Racial Equity Language Access. Urugero rw'uburyo uyo mugambi uzokora nico kimwe no mu bigo vya State n'ibigo vy'ubuyobozi.

Walk-in services" canke " counter services" ni igihe umuntu ashobora kugenda kubiro bya State agasaba ubufasha abakozi atabanje gusaba umubonano ( appointment) . Ibisata n'ibiro vyinshi mu kigo c'ubuyobozi ntibitanga service zo kuza utarahawe gahunda.Igisata c'ibitabo coco kirabikora. Kumasomero y'ibitabo ni ahantu abantu benshi bamenyera servise zitangwa na leta.Igisata kijejwe ibitabo naco gikwiye gutangura umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye. Hari ibice vy'amahitamwo y'umugambi wo kuronswa ubufasha mundimi nyuma y'umugambi w'intangarugero.Ibice vy'amahitamwo ni:

- Walk-in Services/ counter service ( kugenda kurondera ubufasha ata mubonano wasavye)
- Kuronka itumanako ryihutirwa
- Kwigisha ivy'akazi n'amakuru yo kubazwa.

Uyu mugambi nibura mugufashwa mundimi zitandukanye ushobora guhinduka mugihe abatora amategeko canke ibiro vya Governor bakoze amategeko mashasha.Ibigo bikoresha uyu mugambi birashobora kongerako inkoranyamajambo kugira basigure amajambo y'ingirakamaro.

Umugambi uheruka gusubirwamo : Kuwa kabiri 23 Nzero 2023

### 1. Amajambo y'indangagaciro

Ikigo ca Vermont c'ubuyobozi gikurikirana imikorere ya leta ya State.Ikigo c'uburongozi kigizwe n'ibisata n'ibiro 9.Ikigo c'uburongozi gitanga servise zishikira kubantu bose muri Vermont.Ikigo c'uburongozi ciyemeje gutanga service ifasha muvy'indimi kubantu bose muri Vermont.Ikigo c'uburongozi ciyemeje kubahiriza

ubudasa bw'imico vy'abantu bose baba muri Vermont mugutanga ubufasha muvy'indimi.

## 2.Isuzuma ry'ibikenewe/ umugambi wo gushikira abantu

Ikigo c'uburongozi ntikizi abantu bakoresha izindi ndimi atari icongereza muri Vermont.Ikigo c'uburongozi ntikizi ni abantu bangahe bakoresha buri rurimi uretse icongereza.Ikigo c'uburongozi kizokwandika amakuru akurikira kugira imenye ivyo biharuro:

- Ni uruhe rurimi umuntu akoresha mukwaka ubufasha muvy'indimi
- Ubwoko bwa service mu ndimi zitangwa n'ibiro vy'imiyoborere
- Bitwara amahera angahe guha abantu ubufasha mundimi zitandukanye.

Ikigo c'uburongozi ntabwo kizandika amakuru bwite y'umuntu ahantu hamwe n'amakuru yo guhabwa ubufasha mundimi zitandukanye.Amakuru bwite aba arimwo amazina canke igihe abantu bavukiye. Kubika amakuru bwite y'umuntu ahantu hatandukanye bikingira ubuzima bwite bw'abantu.

Ikigo c'imiyoborere kizosuzuma service zerekeranye n'indimi gitanga rimwe mumwaka mugihe c'imyaka 5.Nyuma y'iyo myaka itanu ico kigo kizoza gisuzuma izo servise rimwe buri myaka 5

Ikigo c'uburongozi kizobaza ico abantu bakoresha izo servise zo gufashwa muvy'

Indimi biyumvira kugira bibafashe gutunganya neza iyo programu.Ibikenewe kugira umugambi w'ikigo c'uburongozi kivugane n'abantu bifuza ubufasha muvyindimi ni:

- Kugira inama imbonankubone canke kuri interineti kugira baganire n'abantu bifuza ubufasha bwo gusobanurirwa muzindi ndimi.
- Gutanga servise zo gusigurirwa mundimi kugira abantu bashobore kwitabira izo nama
- Kubarira abantu ivy'izo nama babicishije kurubuga ngurukanabumenyi rw'ikigo c'uburongozi.
- Kwandika mundimi zose 14 itangazo rimenyesha iyo nama hamwe na video imenyesha abafise ubumuga bwo kutavuga.
- Kuvugisha imigwi muma kominote afasha abantu bifuza ubufasha muvy'indimi kugira bahimirize abantu kwitabira izo nama
- Gushira muzindi ndimi ifishi y'ibitekerezo n'ibirego mundimi 14 bakongeramo na videwo ya American Sign Language.
- Kugumiza ivyo bitekerezo n'ibirego kurupapuro rw'urubuga ngurukanabumenyi rw'ibiro vy'uburongozi kugira bifashe mugutegura umugambi wo gufasha mundimi neza.

**Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

## 3.Kumenyesha servise

Ikigo c'uburongozi kizomenyesha abantu uko boronka ubufasha mundimi kivyandike mundimi 14 hiyongeremwo na videwo za American Sign Language

Indimi 14 zanditse ni:

- Arabic
- Bosnian
- Burmese
- Dari
- French
- Kirundi
- Simplified Chinese translations of Mandarin Chinese
- Nepali
- Pashto
- Somali
- Spanish
- Swahili
- Ukrainian
- Vietnamese

Ikigo c'uburongozi kizoshira itangazo ry'uko batanga ubufasha mundimi zitandukanye kurubuga ngurukanabumenyi rwayo. Iryo tangazo rizoba riri kurupapuro rw'imbere mundome nini, rworoshe gusoma.

Urubuga ngurukanabumenyi ruzerekana aho gupfonda kugira ubone iryo tangazo ryanditse mundimi zitandukanye.

Ikigo c'uburongozi kizobarira abantu k'ubufasha butarihishwa bwo gusigurirwa mundimi zitandukanye kuri buri butumwa bazorungikira abantu bategerezwa kubwishura.Itangazo ry'ubufasha butarihishwa rizobwirwa n'abantu bafise ubumuga.

## 4.Servise y'ubufasha bw'indimi.

Ikigo c'uburongozi bw'abakozi kizokoresha abatanga service z'indimi bavyigiye kugira bafashe abantu kuronswa ubufasha bw'indimi.Abakozi b'ikigo c'uburongozi bavuga izindi ndimi atari icongereza ntabwo bazosigura canke ngo bahindure muzindi ndimi kiretse igisata ca Human resources carabonye ko babishoboye.Abakozi b'Ikigo c'uburongozi ntabwo bategerezwa gusigurira canke guhindura muzindi ndimi niba vyokwica amategeko agenga imyitwarire y'abakoze ba leta ya Vermont.

Buri gisata canke ibiro mu kigo c'uburongozi kizosaba abakozi vyibuze babiri kugira ubusabe bwose bw'ubufasha bw'indimi abe aribo bucako.Umwe niwe abantu bazohamagara igihe cose bakeneye ubufasha mundimi, uyundi nawe azofasha igihe

uwambere azoba atabonetse.Ikigo c'uburongozi kizoha uburenganzira ibisata n'ibiro guha akazi abakozi bashasha mugihe abo bakozi babiri bazoba badakwiye.

Igihe cose bakoze inama kumuhora wa interineti, abakozi bazorungika amabwiriza y'uko abantu bazokwinjira muri iyo nama.Ikigo c'uburongozi kizohindura ayo mabwiriza mundimi zose uko ari 14 zanditse hiyongereko na video y'ibimenyetso y'abantu bakoresha American Sign Language.Urubuga ngurukanabumenyi rw'ikigo c'uburongozi ruzoba ruriko aho gupfonda( link) kugira umuntu asome amabwiriza yo kuja muri iyo nama kubuhinga bwa none mundimi zitandukanye.

## Impapuro z'ingenzi

Ikigo c'uburongozi kizohitamwo impapuro z'ingenzi kuva ubu. Impapuro z'ingenzi zizokwama zishirwa muzindi ndimi atari icongereza. Impapuro z'ingenzi zizokwama zihindurwa muzindi ndimi mugihe:

- Hari vyibura abantu 1,000 muri Vermont bavuga urwo rurimi

canke

- 5% vy'abantu bose baba muri Vermont bavuga urwo rurimi

Abantu basavye ko izo mpapuro z'ingezi zandikwa murundi rurimi, ikigo c'uburongozi kizoraba niba:

- Bohindura izo mpapuro z'ingenzi muri urwo rurimi

canke

- Bokwandika incamake y'imvugo yoroheje y'urwo rupapuro rw'ingenzi hanyuma bakarushira muzindi ndimi.

Ikigo c'imiyoborere kizogira incamake ntoya kunyandiko ndende mbere yo kuzishira muzindi ndimi.

Buri gisata canke ibiro bizogira vyibura umukozi umwe wo kwama ashira izonyandiko zose kugihe.Umukozi azosubiramwo izo nyandiko z'ingenzi vyibura rimwe mumwaka. Ikigo c'uburongozi kizoshira kugihe inyandiko z'ingenzi zisiguye muzindi ndimi igihe cose inyandiko zambere zasubiwemwo.

Urubuga ngurukanabumenyi bw'ikigo c'uburongozi ruzerekana aho gupfonda ( link) ugashika kuri izo nyandiko ziri mundimi zitandukanye.

## Urubuga ngurukanabumenyi n'itumatumanako ry'ubuhinga bwa none

Ibisata n'ibiro vyose bizoshira kugihe imbuga ngurukanabumenyi zavyo harimwo n'itangazo rya servise y'ubufasha bw'indimi butangwa.Ikigo c'uburongozi kizohindura iryo tangazo mundimi zose uko ari 14 hiyongeremwo na videwo y'abakoresha

ibimenyetso mukuvuga. Urubuga ngurukanabumenyi ruzerekana aho gupyonda ( link) ukabona ubutumwa buguha ikaze mundimi zose.

Ikigo c'imiyoborere kirazi ko guhindura muzindi ndimi ukoresheje google rimwe na rimwe bitera amakosa.Ikigo c'imiyoborere kizoshira ubutumwa kurubuga rwayo rusigura ikibazo co gusobanura muzindi ndimi ukoresheje google.Ubutumwa buvuga kungorane ni ubutumwa bwamagana. Ubwo butumwa buzomenyesha abantu ko hari ugufashwa mundimi zitandukanye atakiguzi utanze.Ubwo butumwa buzoba buri kurubuga ngurukanabumenyi hafi y'ahari uguhindura murundi rurimi ukoresheje google. Ubwo butuma bubuza gukoresha ihindura mundimi ukoresheje google, ikigo c'uburongozi kizobuhindura mundimi 14 hamwe na videwo y'ibimenyetso kubantu babikoresha. Urubuga ngurukanabumenyi ruzerekana aho gupyonda ugashika kuri ubwo butumwa bwamagana uguhindura mundimi ukoresheje google mururimi rw'uwo muntu.

Ikigo c'uburongozi kizokora ibishoboka kugira imbuga ngurukanabumenyi zaco abantu bose boroherwe kuzikoresha harimwo abatabona neza canke abagendana ubumuga igihe cose hari impinduka zibaye.

## 5.Inyigisho z'abakozi kuri service zo kuronswa ubufasha mundimi zitandukanye

Buri gisata n'ibiro vyose bizoba bifise igitabo c'ibikorwa vyo guhabwa ubufasha mundimi zitandukanye.Ico gitabo kizoba gifise amakuru abakozi bazoba bakeneye kugira batange ubufasha muvy'indimi.

Buri gisata n'ibiro bizosohora kumpapuro ico gitabo c'ibikorwa vyo guhabwa ubufasha mundimi zitandukanye. Ico gitabo basohoye kumpapuro gishobora gufasha mugihe habaye ikibazo c'umuyagankuba canke interineti ikabura.

Abakozi bose bo mu kigo c'uburongozi bazoza baronka inyigisho zerekeye uko batanga ubufasha muvy'indimi rimwe mumwaka. Izo nyigisho zizoba zirimwo:

- Uko wubaha abantu bava mumico itandukanye
- Uko ukorana n'abasigura hamwe n'abahindura inyandiko mundimi zitandukanye
- Uko usabira umuntu servise z'ubufasha mundimi kubakorana na leta.

Umurongozi umwe mugisata canke mubiro azoba ajejwe gukurikirana ko buri mukozi wese aronka izo nyigisho.

Abakozi barihisha bazigishwa uko bakora impapuro zo kurihisha (invoice) kubufasha bw'ururimi buba bwatanzwe. Abatanga inyigisho bazofasha gukurikirana umubare w'amahera leta ikoresha mugutanga ubufasha muvy'indimi.Abakozi ntibazokwandika amakuru y'umuntu bwite ahantu hamwe n'amakuru yo kurihisha.Amakuru bwite aba agizwe n'amazina n'igihe abantu bavukiye.

**Incamake ya raporo y’ibiro bijejwe uburinganire bw’amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

### 6.Igenzura rya programu yo kuronswa ubufasha mundimi zitandukanye

Leta ya State ikoresha “ results-based accountability” kugira imenye ko iriko iratanga ubufasha bufasha abantu.Ikigo c’uburongozi kizokoresha ibibazo vyerekeranye n’ubufasha gitanga kugira kimenye ko program yaco ikora neza.

#### Agace kiyongera k’umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye: ikarata ya “ I speak”

Ibigo vya leta bitanga ubufasha birashobora kongeramwo kino gice

### Ibishobora kongerwa kugace ka 4.Servise z’ubufasha mundimi: ikarata ya “ I speak”

Abakozi bazokoresha amakarata ya “ I speak” kugira bamenye ururimi umuntu akoresha.Buri biro vyose bifise ikarata za “I speak” bizoba bifise kandi videwo ya American Sign Language y’ikarata ya “I speak”.Abakozi bashobora gukoresha iyo videwo haje umuntu gushaka ubufasha akaba akoresha American Sign Language.

### Ivyokongerwa kugice ca 5. Inyigisho za servise yo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye: Ikarata za “ I speak”

Abakozi bazoronka inyigisho z’uko bakoresha ikarata za “I speak” mumwaka bazoba bahugurwa uko batanga ubufasha muvy’indimi.

Ikigo ca leta kizoriha umuntu avuga indimi zitandukanye kuja kuri buri biro vya leta rimwe mumezi atatu. Uwo muntu azogenda nk’umuntu atazi icongereza. kizoca kibona neza uko abakozi batanga ubufasha kubantu bakeneye gusigurirwa mundimi zabo.Abakozi bazoba batabikora neza bazohabwa ubundi bufasha bw’uko boza batanga izo servisi uko bikwiriye.

### Ibishobora kongerwa kuri section 6. Igenzura rya programu yo kuronswa ubufasha mundimi zitandukanye: Counter service/ Ikarata za “ I speak”

Ibigo vya Leta bizopima uko service za counter zikoresha ibibazo vyerekeye uko batanga service kumenya uko bakora.

### Ibindi bice vy’inyongera y’umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye: Itumanako ryihutirwa.

Bimwe mubigo vya State bibarira abantu amakuru yerekeye n’uburyo bwo kwikingira mubihe vyihutirwa ( Emergency). Appendix D ya raporo yose ifise ingero y’inyandiko zokoreshwa mukuronka ubufasha muvy’indimi uri mubihe vyihutirwa ( emergency)

**Incamake ya raporo y'ibiro bijejwe uburinganire bw'amako mugutanga ubufasha mundimi zitandukanye mumwaka wa 2023**

## Ibindi bice vy'inyongera vy'umugambi wo gutanga ubufasha mundimi zitandukanye:Inyigisho z'akazi n'ikarishabwenge.

Bimwe mubigo vya leta bifise program zitanga impusha kubuzi abantu badakeneye gukoresha icongereza mukubukora. Appendix D ya raporo yose yerekeye gutanga ubufasha mundimi zitandukanye ifise ingero z'inyigisho z'ubuzi n'inyandiko z'umugambi wo kubaza kuvyerekeye guhabwa ubufasha muvy'indimi. Ibigo vya leta bitegerezwa guhindura muzindi ndimi izo nyigisho z'ubuzi n'ibikoresho vyo kubaza bakurikirana niba hakurikizwa amategeko ya leta nkuru muguha abantu ubufasha mundimi zitandukanye.